# UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI‘’ITEKA‘’

***Ryemejwe n’itegeko nshikiranganji n°530/0273 ryo kuwa10 Munyonyo1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa6 Ruhuhuma1991***

***ICEGERANYO C’UMUHARI UHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI « ITEKA » KU NYIFATO Y’AGATEKA KA ZINA MUNTU MU BURUNDI MU KWEZI KWA Ruheshi 2026***







*Uwo uri wese ubahirizwa*

*Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodetta Kwizera, umunyabigega w’ishirahamwe Iteka, yabuzwe irengero kuva kuwa 10 Kigarama 2015.Kuva muri Kigarama 2015 gushika kuwa 30 Ruheshi 2026, abantu bashika 874 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, n’imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi787 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w’ igikorwa c’ishirahamwe ry’ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y’uBurundi n’imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero.*

**Ishirahamwe Iteka:**

- **« Ni umunywani w’ishirahamwe mpuza bihugu vyo muri Afrika vyegwa n’agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n’urunani mpuzamakungu rw’amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu(FIDH),**
- **Rifise akaranga ko kwihweza imbere y’umugwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero iyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC.**
- **rigizwe n’Inani mpuzamashirahamwe 17 ku ntara hamwe n’ibisata 32 ».**

[1] *https://docs.un.org/fr/A/HRC/57/54*


RWANDA
BUTANYERERA
BUJUMBURA
BUHUMUZA
GITEGA
LAKE
DRC
TANGANYIKA
BURUNGA
TANZANIA
N
E
S
W

# URUTONDE RW'IBIRIMWO


*IMPFUNYAPFUNYO*......4

*I. INTANGAMARARA* ......5

*II. AMABI Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU*......8

*II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE*......8

*II.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA* ......8

*II.1.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE* ......8

*II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZWE IRENGERO* ......9

*II.1.1.3.UBURENGANZIRA BW'UKUDAKUBAKURWA* ......10

*II.1.1.3.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA CANKE UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI ATAGIRA IZINA* ......10

*II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU* ......11

*II.1.2.UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*......13

*II.1.2.1.UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*......13

*II.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA*......14

*II.2.1.IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*......14

*II.2.2.UBURENGANZIRA KU NDERO*......15

*II.3. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI* ......16

*II.3.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA* ......16

*III. UGUSOZERA N'IBISABWA*......17

# *IMPFUNYAPFUNYO*

**AGNU** : Inama nkuru y'ibihugu vyunze ubumwe

**ECOFO** : Ishure shingiro

**CNDD-FDD** : I*nama y'igihugu iharanira demokarasi-urunani rukingira demokarasi*

Inama y'igihugu

**CNL** :Inama y'igihugu iharanira umwidegemvyo

**CNIDH** : **Umugwi wigenga wigenga ujejwe agateka ka zina muntu**

**CENI** : ***Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw'igihugu***

**CEPI** : *Umugwi wigenga ujejwe amatora ku rwego rw' intara*

**CEEAC** : Ishirahamwe ry'ubutunzi ry'ibihugu vya Afirika yo hagati

**DESC** : **Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama**

**FRODEBU** : Urunani ruharanira demokarasi mu Burundi

**FDLR** : Urunani ruharanira demokarasi yo kubohoza u Rwanda

**OPJ** : Inyamiramabi

**ONU** : Amashirahamwe y'ibihugu vya Buraya

**PNB** : Igiporisi c'igihugu c'uBurundi

**RDC** : Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo

**UPRONA** : Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu

**VSBGs** : Amabi afatiye ku gitsina

**SNR** : **Igendereza ry'igihugu**

**TGI** :**Sentare nkuru**

## *I. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo c'ukwezi kwa Ruheshi 2026 kivuye mu ruvange rw'ivyegeranyo vy'indwi Iteka n' Ijambo kuva kuri nomero 529 gushika kuri nomero 532.Ico cegeranyo cihweza agateka ka zina muntu.Kiragaruka ku burenganzira bw'abantu no muri politike hamwe n'uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama.Co kimwe n' uburenganzira bw'imigwi canecane uburenganzira bw'abana.Ico cegeranyo kirangiza mu mpera n'uguszera hamwe n'ibisabwa.

Gutyo,agateka k'abantu no muri politike muri kino cegeranyo co muri kuno kwezi kaboneka ugukwirikira: abantu 25 barishwe harimwo 15 batowe ibiziga bikwiragiye mu burere butandukanye,umuntu 1 baborejwe igufa,abantu 6 banyurujwe,abantu 9 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo abagore n'abakobwa7abakobwa bafashwe ku nguvu muribo abana 6,abantu 4 barahagaritswe.Mu bakorrewe amabi harimwo abagore 6 bishwe,abagore 7 bafashwe kunguvu.


Imbonerakure,abapolisi, abo mu ntwaro n'abasirikare hamwe n'abandi bantu batari kure y'abanywanyi b' umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD baradomwako urutoke nk'abikekwa ko menshi muri ayo mabi ku gateka ka zina muntu n'ubwicanyi.

Naho ababikoze bamwe bataramenyekana,ukuntu vyakozwe kenshi bisa n'ibikorwa n'iyo migwi yavuzwe.

### *I.1.IKIGARA C'AMABI Y'IHONYANGWA RY'AGATEKA K'ABANTU NO MURI POLITIKE.*

***Igicapo1: Ikigara cerekana cerekana amabi nyamukuru y'ihonyangwa ry'agateka k'abantu no muri politike yiboneKeje mu Burundi muri Ruheshi 2026.***

| Aho vyabereye / Intara | Igitigiri c'abakorewe amabi | | | | | Bose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| | Uguhagari-kwa | Ukunyuruzwa | Ukuborezwa igufa | Ukwicwa | Ihohoterwa rifatiye ku gitsina | |
| Buhumuza | 1 | 0 | 0 | 2 | 0 | 3 |
| Bujumbura | 1 | 5 | 0 | 8 | 1 | 15 |
| Burunga | 0 | 0 | 1 | 4 | 4 | 9 |
| Butanyerera | 0 | 1 | 0 | 1 | 2 | 4 |
| Gitega | 2 | 0 | 0 | 10 | 2 | 14 |
| Zose hamwe | 4 | 6 | 1 | 25 | 9 | 45 |




Ico kigara kiri hejuru cerekana imigwi 5 y'amabi mu ntara 5 zitandukanye z'igihugu harimwo Bujumbura na Gitega ziza kw'isonga aho agateka kazina muntu kahonyanzwe gusumba izindi ku bantu 15 na 14 uko zikurikirana, zigakurikirwa na Burunga ku bantu 9 hanyuma Butanyerera ku bantu 4,hagaca haza Buhumuza ku bantu 3 .

Gutyo,muri kuno kwezi kwa Ruheshi 2026 kwa kino cegeranyo,umuhari Iteka waharuye 45 bakorewe amabi ku gateka k'abantu no muri politike ku butaka bwose bw'igihugu.

Ayo mabi agabuwe ahanini ugukwirikira: abantu 25 bishwe,abantu 6 banyurujwe, abantu 9 bakorewe amabi afatiye ku gitsina ,umuntu 1 baborejwe igufa na 4 bahagaritswe.

***Ikigara 2: Ikigara cerekana abantu nyamukuru bikekwako uguhonyanga agateka ka zina muntu no muri politike mu Burundi muri Ndamukiza 2026***

| Abikekwako ivyaha | Buhumuza | Bujumbura | Burunga | Butanyerera | Gitega | Zose hamwe |
|---|---|---|---|---|---|---|
| Abaporisi | 0 | 0 | 1 | 1 | 2 | 4 |
| Abo mu ntwaro | 1 | 0 | 0 | 1 | 0 | 2 |
| Abo mw'iperereza | 0 | 2 | 0 | 0 | 0 | 2 |
| Iyindi migwi | 0 | 0 | 2 | 0 | 0 | 2 |
| Abataramenyekana | 1 | 6 | 2 | 2 | 5 | 16 |
| Imbonerakure | 1 | 2 | 3 | 1 | 1 | 8 |
| Abasirikare | 0 | 1 | 0 | 0 | 0 | 1 |
| Abihora | 1 | 3 | 0 | 1 | 3 | 8 |
| **Bose hamwe** | **4** | **14** | **8** | **6** | **11** | **43** |





Kubwo ikigara,ku mabi yose yaharuwe y'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu muri kino kiringo ca Ruheshi 2026, ayakozwe n'abantu batamenyekanye biboneka ko ariyo menshi ku bantu 16 agakurikirwa n'ayakozwe n' imbonerakure ku bantu 8 ,hagaca haza umugwi uzwe na "ukwihora"ku bantu 8,hanyuma incuro 4 abapolisi.

***I. INTANGAMARARA(Ibikurikira urupapuro 6)***

***gicapo 3: Ikigara cerekana ibintu nyamukuru vyakozwe n'abo mu ntwaro inyuma y' ihonyanyanga ry' agateka ka zina muntu ryibonekeje .***

| Ubwoko bw'amabi | Igitigiri c'amabi | Igitigiri c'ivyakozwe | Aho atacakozwe |
|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 4 | 0 | 4 |
| Ukunyuruzwa | 5 | 0 | 5 |
| Ukuborezwa igufa | 1 | 1 | 0 |
| Ubwicanyi | 21 | 7 | 14 |
| Amabi afatiye ku gitsina | 8 | 6 | 2 |
| **Vyose hamwe** | **39** | **14** | **25** |




Ku ncuro 39 z' amabi yaharuwe mu kiringo cafatiweko,ibintu 14 vyarashizwe mu ngiro,biri mu migwi 3 nyamukuru,kugira haboneke inyishu.Amwe mu mabi yarashoboye gutorerwa inyishu,mugihe ayandi akiriko arihwezwa,n'amatohoza y'ubutungane ariko arakorwa kugira hatorwe inyishu zibereye.

| Ubwoko bw'amabi | Amatohoza yo hagati | Amatohoza ubutungane bwuguruye | Itangazo | Aho atacakozwe |
|---|---|---|---|---|
| Uguhagarikwa | 0 | 0 | 0 | 4 |
| Ukunyuruzwa | 0 | 0 | 0 | 5 |
| Ukuboreza igufa | 0 | 1 | 0 | 0 |
| Ubwicanyi | 0 | 5 | 2 | 14 |
| Amabi afatiye ku gitsina | 0 | 6 | 0 | 2 |
| **Vyose hamwe** | **0** | **12** | **2** | **25** |

# *II. IHONYANGWA RY'AGATEKA KA ZINA MUNTU*

## *II.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI PORITIKE*


*UBurundi buri mu bihugu vyashize umukono ku masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'ukwigenga na politike(1965) hamwe n'amategeko yaryo mpfatakibanza (1976) ntabanduka kuwa 9Rusama 1990,icatumye mu ntumbero yo kuyashira mungiro,uBurundi bufata ingingo ingingo mu mategeko abugenga nko mw'ibwirizwa shingiro ryo kuwa 7 Ruheshi 2018(Itegeko kizigenza) mu ngingo yaryo 19 ivuga koamategeko yose yasomwe kandi agashigwaho n'amategeko mpuzamakungu yashizweko umukono ko ashizwe ashizwe mw'iryo bwirizwashingiro,amategeko arishira mu ngiro yarashizweho nko mw'itegeko mpanavyaha ryo kuwa 29 Kigarama 2017 no mw'itegeko rishira mungiro ibihano ryo kuwa 11 Rusama 2018 hamwe n'ayandi mashirahamwe akingira agateka ka zina muntu mu Burundi yarashizweho.*

### *II.1.1 .UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. 1. UBWICANYI BUTEGUYE*

Mu kiringo ca kino cegeranyo,umuhari Iteka waharuye incuro 21 hishwe abantu aho hishwe abashika 25,harimwo abatowe ibiziga 15,mu mihingo itandukanye y'igihugu.Muriabo 25 bapfuye,harimwo abagabo19 n'abagore 6.

| Intara | Incuro bishe | Igitigiri c'amabi | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Ubwicanyi | Ibiziga | | |
| **Buhumuza** | **2** | **0** | **2** | **2** | **0** |
| **Bujumbura** | **8** | 4 | 4 | 5 | 3 |
| **Burunga** | **3** | 0 | 4 | 4 | 0 |
| **Butanyerera** | **1** | 0 | 1 | 1 | 0 |
| **Gitega** | **7** | 6 | 4 | 7 | 3 |
| **Zose hamwe** | **21** | **10** | **15** | **19** | **6** |




⇒ ***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1:*** Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuw a16 Ruheshi 202 ivuga ko ikiziga c'umugore akiri muto catowe mu gitondo co kuwa 12 Ruheshi 2026, neza na neza kw'ibarabara rya 5 muri karatiye Bukirasazi, muri Zone Kinama, muri komine Ntahangwa, mu ntara ya Bujumbura.

Umuhisi yari umukobwa muto ,karangamuntu yiwe ntiyabonetse,kubera nta gipapuro na kimwe kimuranga bamusanganye. Ivyabona vyabonye ikiziga vyemeza ko abo bicanyi boba babanje kumushurashuza imbere yo kumuniga,

### *II.1.1 .Uburenganzira ku magara (Ibikurikira urupapuro 8)*

hanyuma boba baje guta ikiziga aho hantu. Hikekwa ko abo bagizi ba nabi boba bamwiciye kuri yaho,imbere yo kuza guta ikiziga muri aka gashamba ko kw'ibarabara rya 5 muri karatiye Bukirasazi.


---

***Ak2:*** Kuwa 23 Ruheshi 2026, hafi y'isaha cumi na zibiri z' umugoroba,ku mutumba Nkoto, muri zone Taba, muri KomineTangara, mu natara yaButanyerera,ikiziga c' umusore atamenyekanye w'imyaka iri hagati ya 15 na 17 caratowe. Kubwo ivyabona vyabone ico kiziga,uwo muhungu yaciwe umutwe n'abantu batamenyekanye kandi yabonywe ubwa mbere n'abana bariko barasenya. Ikiziga ciwecajanywe mu buruhukiro bw'ikigo c'ubuzima ca Nyarunazi mu kurindira ko ashingurwa,kw'itegeko ryatanzwe na musitanteri wa komine Tangara Jean Pierre NDIKURYAYO. Ababa ku mutumba Nkoto basaba ko amatohoza yimbitse kugira hamenyekane imvo hamwe n' abakoze iryo bara.

### *II.1.1.2. ABANTU BANYURUJWE N'ABABUZE IRENGERO*

Ibwirizwa shingiro ry'Uburundi riremerera abantu bose gucirirwa urubanza co kimwe ,hamwe n'ukumvirizwa n' ugucirwa urubanza mu gihe cemewe n'amategeko,nkuko ingingo ya 38 ibivuga.Umuhari Iteka waharuye abantu 6 banyurujwe bose b'abagabo.Intara ya Bujumbura niyo yakozweko cane ku bantu 5 hanyuma Butanyerera ku muntu 1.

| Intara | Incuro banyurujwe | Igitigiri canyurujwe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Bujumbura | 4 | 5 | 5 | 0 |
| Burunga | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Butanyerera | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Zose hamwe | 5 | 6 | 6 | 0 |



## *II.1.1 .UBURENGANZIRA KU BUZIMA (Ibikurikira urupapuro 9)*

⇒ ***Uburorero buvyerekana :***

***Ak1:*** *Kuwa 21 Ruheshi 2026,umuhari Iteka warose akamo k'isoko ryegereye umuryango wa* Jean Claude Nduwimana, umusirikare w'umukukuruke ava ku mutumba Gitaba ,komine n'intara ya Rutana kandi aba muri karatiye Busoro, muri zone Kanyosha ,muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura, yarabuzwe irengero.

Yavuye muhira iwe mu gitondo co kuwa 20 Ruheshi 2026 agiye kunonora imitsi,ariko ntaiyagarutse kuva ico gihe. Umuryango ntamakuru yiwe ufise gushika uyu munsi.

---

***Ak2:*** Kuwa 5 Ruheshi 2026, umusirikare azwi kw' i zina rya Bizimana Gérard yaranyurujwe ku Musaga,muri komine Mugere, mu ntara ya Bujumbura.

Ku bwo icabona cari kihari,yarikumwe n' umuntu yitwa Cedric kandi bariko bafungura mu bunywero bw'uwahoze ari umushingamateka Lewis. Ni ho ingendeshwa yo mu bwoko double cabine ifise ibiyo bitabona yashika aho bari. Abantu 2 bambaye impuzu za gisirikare barurutse,bafata Bizimana Gérard hanyuma bamwuriza ku nguvu iyo ngendeshwa,mu nyuma yaciye igenda.

Kuva ivyo bibaye,nta muntu numwe azi aho yoba apfungiwe ndetse nico yoba yarabaye. Umuryango wiwe urarajwe ishinga n'umutekano wiwe,mu gihe abamunyuruje bafatwa ko ari abakorera Reta bambaye umwambaro w'akazi.

### *II.1.1.3. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA*


Ibwirizwa shingiro ry'u Burundi mu ngingo yaryo ya 21 ritomora ko "Nta numwe yoborezwa igufa haba gupfungwa canke canke gufatwa bunyamaswa,ugufatwa mpiri canke guturubikwa". Kuri ivyo hiyongerako itegeko n°1/04 ryo kuwa 27 Ruheshi 2016 rikingira aba abahohoterwa kandi riritegekanya ingingo zo gukingira agateka ku mutima no kumubiri.Ivyo bikerekana neza ukwiyemeza kw'igihugu gukingira abanyagihugu baco.

#### *II.1.1.3.1. UKUBOREZWA IGUFA,UGUPFUNGWA N'UGUFATWA BUNYAMASWA HAMWE N'AYANDI MABI*

Muri kuno kwezi kwa Ruheshi 2026, umuhari Iteka wabaruye umuntu 1 yafashwe bunyamaswa ku butaka bwose bw'igihugu.Uwo yabonetse mu ntara ya Burunga.Twomenyesha ko ibikorwa nk'ivyo n'ugufatwa nabi binuganurwa ko bikorerwa abantu bapfungiwe mu mabohero y'iperereza nk'uko bimenyeshwa n'imiryango yabo.

| Intara | Incuro baborejwe igufa | Igitigiri c'aba-borejwe igufa | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Bujumbura | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Burunga | 1 | 1 | 1 | 0 |
| Butanyerera | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Gitega | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Zose hamwe | 1 | 1 | 1 | 0 |

### *II.1.1 .UBURENGANZIRA KU BUZIMA(Ibikurikira urupapuro 10)*




***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1:*** Umudandaza yitwa Léandre Nsabiraduha, aba muri karatiye Bururi ya komine Bururi,mu ntara ya Burunga, yarakubaguwe kuwa24 Ruheshi 2026 hafi y'isaha cumi z'umuhingamo n'abaporisi ku kirindiro co ku Kiryama,giherereye muri komine ya Matana,intara ya Burunga, kubwo amakuru ava mu masoko yaho.Mu gihe yariko agerageza kugura igitoro,imodoka yiwe y' ibara ryirabura,yo mu bwoko bwa Probox,yaciye ku rutsinga rwashizweho n'abaporisi bajejwe gutunganya itangwa ry'igitoro.


Yaciye yururuka imodoka yiwe kugira abaze ibibaye. Umuporisi Sergent-chef Nzoyisaba J Claude, akorera i Ruvumvu, muri komine Songa, yaramwifatiye. Uwo muporisi n'abandi bakorana amazina atamenyekanye uyo munsi,bamuteye imigere mu gikiriza. Aremvye,uwo yakubiswe yajanywe ku bitaro vya Bururi n'uwo muporisi hamwe n'abandi 2 baporisi 2 bari barindiriye kuronswa igitoro kw'itegeko rya komiseri wa komine Matana Uwo muporisi niwe ubu ariha amahera yo kwivuza ya Leandre yivuriza ku bitaro i Bururi, mu cumba inomero 27. Ayo makuru yemeza kandi yemezwa n'uwo yakubiswe,asaba ko uyo muporisi yohanwa hamwe nabo bakorana.Kw'igenekerezo rya 27 Ruheshi 2026, Léandre yarakiri mu bitari vy'ico kigo.

### *II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATWA KU NGUVU*

Mu kiringo ca kino cegeranyo, umuhari Iteka waharuye abantu 9 bakorewe amabi afatiye ku gitsina ku butaka bwose bw'igihugu.Mubakorewe amabi,6 muribo 5 b'abana bafashwe ku nguvu.Iki kigara co musi cerekana uko amabi yabaye intara ku ntara,aho Burunga iza ku songa ku bantu 4 igakurikirwa na Gitega na Butanyerera kuri 2 imwe yose hanyuma Bujumbura ku muntu 1.

| Intara | Incuro z'amabi | Igitigiri cabikorewe | | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|---|
| | | Amabi afatiye ku gitsina | Ugufatwa ku nguvu | | |
| Buhumuza | 0 | 0 | 0 | 0 | 0 |
| Bujumbura | 1 | 0 | 1 | 0 | 1 |
| Burunga | 4 | 0 | 4 | 0 | 4 |
| Butanyerera | 2 | 1 | 1 | 1 | 1 |
| Gitega | 1 | 2 | 0 | 1 | 1 |
| Zose hamwe | 8 | 3 | 6 | 2 | 7 |

*II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA /UGUFATWA KU NGUVU (Ibikurikira urupapuro 11)*




⇒ ***Uburorero buvyerekana:***

***Ak1:*** Kuwa 14 Ruheshi 2026 umugabo yitwa Nimbona Tharcisse yaturijwe n'amazi abize n'umugore wiwe ahishakiye Joselyne bose bo ku mutumba Gahahe wo muri komine kayanza mu ntara ya Butanyerera.

Amakuru yatanzwe n'uwaturiwe avuga ko yatashe mw' ijoro kandi ko umugore yamwadutse amwagiriza ko adakora neza ibikorwa vya serugo cane cane mugutanga amahera y'imfungurwa adakwiye mu muryango. Nimbona Tharcisse avuga ko asagirijwe,yiyugaraniye mu cumba bararamwo hanyuma umugore wiwe Ahishakiye Joselyne yaguma ashaka kwinjira ku nguvu igihe umugabo yugurura ku gahato umuryango. " *Nuguruye umuryango hanyuma bunonyene,umugore yansuttseko amazi abize mu rubavu rw'ukubamfu*", vyicuza uwo yaturiwe Nimbona Tharcisse.Mw'ishirahamwe ry'abagabo bari mu gahinda baharanira agateka k'abagabo baranekura ko uwagirizwa icaha yoba yidengemvya kandi bagasaba ko abagore bakora ayo mabi afatiye ku gitsina akorerwa abagabobo shengezwa imbere y'ubutungane hanyuma bahanwe hakurikijwe n'amategeko nk'uko bimeze ku bagabo bakorera amabi afatiye ku gitsina uko ameze kwose.

---

***Ak2:*** Kuwa 16 Ruheshi 2026, umukobwa yitwa I. R,w'imyaka 17,yarashurashujwe ku mutumba Kabezi,muri zone Kabezi,muri komine Mugere,mu ntara ya Bujumbura.

R. ni umunyeshure wo kw'ishure nkuru ya Komine ya KABEZI. Uwo munsi,avuye kw'ishure hanyuma ari mw'ibarabara yahuye n'uwugendesha ipikipiki azi,yitwa Gamariel, asanzwe amujana nk'uko bisanzwe. Mu gihe yarakiri mw'ibarabara,uwo agendesha ipikipiki,yamusavye gutahana nawe iwe kugira basangire imfungurwa. Umukobwa yaravyemeye.Bashitse iwe,barafunguye,hanyuma uwo agendesha ipikipiki yatumyeko inzoga hanyuma barayisangira. Ntiyatashe hanyuma amara ijoro ryose n'uwo agendesha ipikipiki.Bukeye bwaho,avyutse,yamenyeko yashurashujwe. Abavyeyi biwe,bamenye aho yaraye,baje kumurondera. Bashitseyo, basanze asohotse,kandi uwo musore yari yamaze kugenda. Yavuze ivyamubayeho,hanyuma barondera umusore mu giporisi, ariko yari yamaze guhunga.

---

***II.1.1.3.2. AMABI AFATIYE KU GITSINA/UGUFATA KU NGUVU(Ibikurikira urupapuro 12)***


***Ak3:*** Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 28 Ruheshi 2026 ivuga ko kuwa 9 Ruheshi,ku mutumba Cabara, muri zone Kigwena,muri komine Rumonge,mu ntara ya Burunga,N. E, w'imyaka 38 ,yafashwe ku nguvu mw' ijoro ryo kuwa 9Ruheshi2026,n'abagabo baje umugabo wiwe atariho ari babomora umuryango igihe umugabo yari ku kazi k'ubuzamu. Igihe yatabaza akoma induru,umwe mubagizi banabi yarahunze ariko uwundi yitwa Ndikuriyo Adrien, w'imyaka 30,yarafashwe hanyuma ajanwa mu gasho ka zoneimbere yo kurungikwa mu gasho ka komisariya ka komine ya Rumonge. Uwo yafashwe ku nguvu yajanywe ku kigo c'ubuzima ca Cabara kugira bakurikirane amagara yiwe

## *II.1.2. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO*

### *II.1.2.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO*

Bose hamwe, haharuwe incuro 4 hahagaritswe abantu ku butaka bwose bw'igihugu muri iki kiringo ca kino cegeranyo. Muri izo ncuro 4 zaharuwe, 4 barahagaritswe kandi bose b'abagabo. Nkuko ico gicapo kiri musi kivyerekana, iGitega bahagaritswe incuro 2 hanyuma Buhumuza na Bujumbura ku ncuro 1 imwe yose.

| Intara | Incuro bahagaritswe | Igitigiri cahaga-ritswe | Abagabo | Abagore |
|---|---|---|---|---|
| **Buhumuza** | 1 | 1 | 1 | 0 |
| **Bujumbura** | 1 | 1 | 1 | 0 |
| **Burunga** | 0 | 0 | 0 | 0 |
| **Butanyerera** | 0 | 0 | 0 | 0 |
| **Gitega** | 2 | 2 | 2 | 0 |
| **Zose hamwe** | 4 | 4 | 4 | 0 |




⇒ ***Uburorero buvyerekana :***

***Ak1:*** Umugabo yitwa Claude, umukozi wa Banki ya Bancobu i Mwaro, yarapfungiwe muri komisariya y'igiporisi muri komine,Mwaro,iri Gatare, haheze indwi (kuwa mbere mu gitondo igenekerezo rya 15 Ruheshi 2026). Iryo pfungwa ryabaye inyuma y'ivyabaye hagati yiwe Uwayezu Claude,umunywanyi akomeye mu mugambwe uri ku butegetsi i Mwaro, mugihe bari mu bunywero bwo mw' ijoro ryo kuwa gatandatu igenekerezo rya 13 Ruheshi 2026.

### *II.1.2. UBURENGANZIRA KU MWIDEGEMVYO(Ibikurikira urupapuro 13)*

Umuzi w'ayo matati uva ku kuntu Claude(umukozi wa Banki) yanse gukeza Uwayezu Claude, aherutse kuronka amabanga yo kurongora umuhari w'urwaruka rw'Imbonerakure bo mu mugambwe uri ku butegetsi muri zone ya Mwaro. Uwayezu akora kandi akazi ko kugendura imirimo y'amagara y'abantu muri komine Mwaro, icicaro arimwo kuva aho hatanguriye indinganizo y'intwaro nshasha y'igihugu,haciye umwaka.

Inkuru zatororokanijwe ahonyene,avuga ko Uwayezu Claude yashikirije ikirego ku nzego z' igiporisi, amwagiriza gukubagura indongozi ("yakubise urwego").Uwayezu yagirizwa gusomborotsa uwundi mu bigo vyo kwinezereza, yishimikije ko ari mu mugambwe uri ku butegetsi.

---

***Ak2:*** Kuva ku wagatatu,igenekerezo rya17 Ruheshi 2026,umwigisha azwi kw'izina rya KAZUNGU Fabrice, umunywanyi w'umugambwe CNDD FDD w'imyaka irenga 35 ava ku mutumba na zone Buhiga muri komine KARUSI yapfungiwe mu gasho k'i Buhiga.Imvo yoba ariko yanse guha umugore wiwe umwana w'umwaka umwe n'amezi 6,uwo mugore ari mu mugambwe CNDD FDD afisse imyaka irenga 30 wo kuri uwo mutumba nyene.

Amahane yaratanguye kuva kuwa kabiri igenekerezo rya 9 Ruheshi2026 aho bashwana mw'ijoro kandi kubera umugabo yari yaborewe,uwo mugore yamukomerekeje akoresheje urwembe amutera ibikomere vyinshi hanyuma umugabo umugabo yajanywe ku bitaro i Buhiga aho yarwariye iminsi 4 . Vyongeye ,umugoreyatay umwana wiwe w'umwaka n'inusu ku bavyeyi b'umugabo.Niho gutyo,kuwa kabiri,igenekerezo rya 16/6/20220inyuma y'indwi uwo mugore yagiye kuri zone kugira yitware ku Nyamiramabi hanyuma amuha umutahe azokwitaba bukeye bwaho kuwa gatatu hanyuma igihe yitaba,baramuhagaritse hanyuma arapfungwa.

Ubu, abavyeyi b'uwo mugabo bafise amakenga y'iryo hagarikwa ridakurikije amategeko kuri bo ariko yararekuwe kuri uyu wa gatanu ariko twaramenye ingingo zafashwe.

### *II.2. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA*

*Uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama bufatwa nk'uburenganzira bwo ku rugezo rwa kabiri,buri mu masezerano mpuzamakungu ajanye n'uburenganzira bw'ubutunzi,imibano n'imico kama.Uburundi bwaremeje ayo masezerano kuwa 14 Ntwarante 1990 kandi bwarayashize mw'ibwirizwa shingiro ryo mu 2018,nko mu ngingo ya 19.Ico ubwo burenganzira bwiharije ni uko bushirwa mu ngiro intambwe ku yindi,bitandukanye n'uburenganzira bw'abigenga na politike.Ama Reta yabushizeko umukono,harimwo Burundi, yiyemeje gushira mungiro ubwo burenganzira bivanye n'uburyo bafise.*

### *II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI*

Mu Burundi, mu kwezi kwa Ruheshi,ubutunzi bwarahungabanye kubera ibintu vyabaye kuwa 11 no kuwa 13 Ruheshi 2026.Mu bisanzwe, ikibuga c'inkino Agasaka carabereyeko igikorane c'amasengesho,categuwe n'umugambwe CNDD-FDD mu ntumbero yo kwibuka uwahoze ari umukuru w'igihugu Nkurunziza.

Ariko rero,ivyo birori vyabaye isanganya.Abanyagihugu baho,naho baba batari mu mugambwe bose,babwirizwa gutanga intererano z'uburyo.Abayobozi b'amashure,abajejwe ivyigwa hamwe n'abigisha babwirizwa guterera kuva kuri15 000, 5 000 na 2 000 frbu uko bakurikirana.

Mw'isoko rikuru ry'i Ngozi,abagore badandaza ivyamwa batanguye gushikiriza umubabaro.Baridogera cane itegeko ryo guterera 5000 fbu kuri ico gikorwa,kuriyo hiyongerako

### *II.2.1. IHUNGABANA RY'UBUTUNZI. (Ibikurikira urupapuro14)*

3000fbu y'imfungurwa mu gusozera na 30 000fbu yo gukota umwambaro.Umusi wa mbere,ntivyari bikaze cane.Ariko rero,bukeye,vyateye vyunyuka cane,Urwaruka rw' imbonerakure,zikomeye mu mugambwe,zategeka abanyagihugu guhagarika ibikorwa vyo kurima,gutyo bigatera akajagari.Igiporisi carakaze bikwiye,mu kugara amazu y'ubudandarizo hamwe n'utuguriro gushika igihe c'isaha 12 z'umugoroba,bagahana uwurenga kuri ayo mategeko.Imisi yanyuma y'ico gikorwa,uruhagarara rwararenze urugero.Imyiyerekano imeze nk'iya gisirikare yaradutse,bitera agashavu kuri izo ntererano z'agahotoro hamwe n'uruhombo rwahabaye muri iyo misi 3.

Iruhande,muri komine Muyinga,umunyamabanga wa CNDD-FDD muri komine yakoresheje inguvu ziwe zose kugira kugira abanyagihugu bose batange intererano,atanumwe avuyemwo.

Akamo ko gutanga 2000 fbu n'ayarenga bitanguye guhuhura,vyiyongera ku mategeko yo gutanga buri kwezi 4000 fbu kugira babungabunge ibirasi n'10000 fbu ya biro y'intara.Ubwo buryo busa hanini n'ubugenewe guhemba abakozi ba Reta bakorera umugambwe,bakiyibagiza ko abanyagihugu benshi batari mu mugambwe.

Muri komine ihegereye ya Muramvya,ubukene buguma bwongerekana.Ibiciro vy'imfungurwa biraduga biteye ubwoba,naho hari icizere giterwa n'itegeko rigamije kugabanya ibiciro.

Ku ruhande rwabo,abarimyi b'iMatana na Bururi bahuye no kubura umwavu w'ikizungu,ingorane ishoka ikora ku mwimbu wabo.Bari muyabira,bashikiriza agashavu kabo ku bijanye no kubura ibitabizo vyankenerwa,n'aho ubushikiranganji bwaja bwaratoje amahera yo kubiriha imbere yaho.

Nk'inyishu kuri ayomagume,abarongozi bamenyesheje ko umwavu wari waratanzwe wose mu gice c'irima C,FOMI itarawutanga ubwayo.Umushikiranganji wa mbere we nyene yaremeye ko vyagoranye kubera igitigiri c'abarimyi bariko barafashwa,hamwe n'ingorane zo kwinjiza ibiva hanze bivuye ku kubura amahera y'agaciro.Naho hasabwe ko igisata c'umwavu cigenga,ntanakimwe kiboneka cakozwe na Reta.Abarinmyi kuruhande rwabo,bafise amakenga ko ukubura umwavu bizozana akaga ku mwimbu,gutyo uburyo bwo kubaho bugahungabana hakaba n'inzara mu karere.

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO*

Ukwezi kwa Ruheshi kwaranzwe n'ibintu vyakoze ku burenganzira ku ndero mu Burundi.Abanyeshure barenga 3400 barahevye ishure muri komine Rumonge,aho 3493 baraharuwe mu kiringo c'ibice bibiri vya mbere mu mwaka w'ishure 2025-2026.

Mu banyeshure bahevye ishure,hafi 1 513 ni abigeme. Indongozi zo mu gisata c'indero bashikiriza ko ukwo guheba amashure biva ku mvo nyinshi,nk'ubukene bwugarije imiryango myinshi,ukuyoberwa mu mashure,indwara hamwe n'inda zitipfujwe.

Hafi abigeme 80 bahevye kubera gutwara inda. Abatwaye inda barakekeranaya mukuvuga ababateye inda,bigatuma bigorana kubakwirikirana. Naho abanyeshure benshi biyandikisha mu ntango y'umwaka,benshi baheba inyuma y'amezi,bigatuma muri komine habura ubumenyi,vyiyerekana mu mwimbu mubi baguma baronka mu bibazo vya Reta.Aho Rumonge itumbereye,yegereye ikiyaga Tanganyika,bigatuma urwaruka ruja mu rudandazwa canke

### *II.2.2. UBURENGANZIRA KU NDERO. (Ibikurikira urupapuro15)*

uburovyi aho bogiye mw'ishure.Abegwa n'indero bahamagarira guhimiriza muri rusangi kugira barwanye guheba ishure.Baramenyesha ko hakenewe gushigikira imiryango ikenye cane,gukinga imbanyi zitipfuzwa hamwe no kugumiza abana kw'ishure.

Muri iyo ntumbero Reta y'uBurundi irategekanya impinduka mu gisata c'indero mu mwaka w'ishure 2026-2027. André Nduwimana yaramenyesheje iyo mpinduka mu kiganiro yatanze ku samirizi Nderagakura, kandi umushikiranganji wa mbere, Nestor Ntahontuye, yaramenyeshejwe ako kigoro ku wa 12 Ruheshi 2026. Iyo mpinduka ije mugihe habaye ugusuzuma ubumenyi urutavanako mw'ishure shingiro,vyerekana ibihengeri mu nyigisho z'igifarasa,ururimi nyamukuru mu nyigisho z'igihugu.Umushikiranganji w'indero ategekanya ibikorwa vy'ihugurwa ku bigisha,mu ntumbero yo kubategura ku biri muri izo nyigisho nshasha. Impinduka izotangura bukebuke ku banyeshure bo mu mwaka w'7 gushika mu w'10.Umwihwezo wimbitse wasanze hari ukwisubiriza bidakenewe mu vyigwa bimwe bimwe hamwe n'ibibura mu bindi vyigwa,bivuye ku gushira mungiro vyihuta ishure shingiro.Ibihengeri mu gifaransa biranatuma badatahura ibindi vyigwa.Ubushikiranganji bwarashizeho urundi ruhome rw'ubumenyi hamwe n'inzira y'impinduka ku rugero biraba,bashiramwo ivyasavye n'isuzuma.Umwaka w'10 uzotangura mu mwaka w' ishure 2027-2028. Umushikiranganji wa mbere yaranamenyesheje gusubira kugurura uburaro ku banyeshure bo mu mwaka w'7 mu mashure y'akarorero,no gusubira kugaburira abanyeshure biga muri kaminuza y'uBurundi. Smashirahamwe y'abigisha yakiranye akanyamuneza ayo makuru,yongera amenyesha ko hakenewe kubikwirana bibereye kugira bashike ku mpinduka mu gisata c'indero.

## *II. 3. UBURENGANZIRA KU MIGWI*

### *II.3.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA*

Uburenganzira bw'abana burakingiwe muBurundi biciye mu masezerano mpuza makungu avuga ku burenganzira bw'abana (CIDE) yashizweko umukono mu 1990. Igihugu caranashizeho amategeko hamwe na politike yo gukingira abana.
Iki cegeranyo co mukwezi kwa Ruheshi cerekana abana bagiye barafatwa nabi bidasanzwe.Ugufatwa ku nguvu hamwe n'ayandi mabi,nko ku bana b'abakobwa,vyaravuzwe.Vyongeye,umuhari Iteka waraharuye incuro 6 zibabaje,harimwo ubwicanyi ku bana,ugufatwa nabi bibonekera mu gukubitwa,ibintu vyerekana ingendo iteye agahinda y'amabi akorerwa abana,nk'uko vyerekanwa n'ivyabaye ku musore yakomerekejwe na inabukwe muri komine Musongati, intara ya Burunga. Ukwigisha igisirikare abana bo muri komine ya Kirundo, intara ya Butanyerera, biteye amakenga akomeye kuvyerekeye ugukingira hamwe kuronsa ubutungane ku bamerewe nabi gusumvya abandi mu Burundi.

# III. UGUSOZERA N'IBISABWA

Inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi, muri Rusama 2026, yerekana amabi y' urutavanako.Umuhari Iteka hamwe n'ayandi ma shirahamwe uravuga ibiziga vyatowe,ipfungwa riciye ku biri n'amategeko,ukuborezwa igufa hamwe n'ukunyuruzwa n'ukuburwa irengero, bikerekana gutyo ihungabana riguma rigaruka rikabangamira umwidegemvyo shingiro.Agateka k'abagore n'abana karanabangamirwa bikomeye harimwo gufatwa kunguvu bikorerwa abana ku rugero ruteye agahinda.Umuhari Iteka uhamagarira kwikubita agashi kuri Reta n'abayo kugirabubahirize agateka ka zina muntu hamwe n'impinduka zihuta.

Iki kiringo cerekana urukwirikirane rw'amabi hamwe n'itituka mu bisata bitandukanye.Ni ngombwa ko hotanguzwa ibikorwa bitomoye hamwe n'ibiganiro bidakumira mu ntumbero yo gukomeza agateka k'abantu.

Naho biri uko,umuhari Iteka urakenguruka ivyakozwe n'intwaro nko mu manza zaciwe hamwe n'amatangazo yo kwiyamiriza abakora amabi kandi uratera intege bimwe bikomeye iyo ngendo nziza ubona ko ari ngirakamaro mu rugamba rwo kurwanya ukudahana.

Ku rundi ruhande,umuhari Iteka uriyamiriza ukudahana ku bubegito bumwe bumwe bwibonekeza kandi usaba ibikurikira:

⇒ ***Ku mukuru w'igihugu c'u Burundi:***

1. Intwaro ya demokarasi mu kubahiriza uburenganzira n'umwidegemvyo shingiro vy' abanyagihugu.
2. Kubahiriza agateka ka zina muntu,nk'uburenganzira ku buzima,ubwo kudakubagurwa n'ukwidegemvya,

⇒ ***Ku bushikiranganji bw'ubutungane,agatreka ka zina muntu n'ukunganisha ibitsina hamwe n'ubushikiranganji bwo hagati mi gihugu,iterambere ridakumira n' umutekano kuri bose:***

1.Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi hamwe n'uko abakoze amabi y' ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu bishura ivyo bakoze;

2.Gutohoza no guhana bimwe biboneka amabi akorerwa abana bato vyabaye akayoberaba hinga mu Burundi abatware barorera hamwe n'abandi bo mu mugambwe uri ku butegetsi.

⇒ ***Ku mushikiranganji w'ubutunzi,uburyo hamwe n'ugutunganyaubutunzi ku buryo bwa kijambere hamwe n'umushikiranganji w'ibidukikije,Uburimyi n'Ubworozi :***

1. Kuronsa abarimyi ifumbire bakoresha hakiri kare cane cane umwavu w'ikizungu no kuraba ko amashirahamwe atororokanya akongera akagura umwimbu yubahiriza amasezerano agiriranira na Reta;

⇒ ***Ku mugwi wigenga ujejwe agateka ka zina muntu mu Burundi (CNIDH):***

1. Gukora amatohoza yigenga kw'ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu hamwe no gushira ahabona ivyegeranyo ku gihe,cane cane ku biziga bitorwa,ugufatwa ku nguvu gukorerwa abana,ukunyuruzwa hamwe n'ugupfungwa biciye kubiri n'amategeko

## III. UGUSOZERA N'IBISABWA *(Ibikurikira urupapuro17)*

⇒ ***Ku mashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu:***

1. Gukwirikirana uko agateka ka zina muntu kifashe mu Burundi hamwe no guharanira gukingira ubwigenge shingiro;

2. Guharanira gukorera hamwe ku nyungu zo gukora neza kandi ibirama muvyo bashira imbere bitandukanye,

3. Gushigikira abagize amakuba y'ihohoterwa ry'agateka ka zina muntu hamwe no guharanira ubutungane kuribo.

⇒ ***Ku bafasha muvyo ubuhinga n'ubutunzi Reta y'u Burundi harimwo NU, UE n' abaserukira ibihugu bakorera mu Burundi,n'ahandi.***

1.Gushigikiragukingira abaharanira agateka ka zina muntu hamwe n' abamenyeshamakuru bafise uruhara ngirakamaro mu kudomako urutoke ivyaha;

2.Gukwirikirana bikomeye iyubahirizwa ry'amasezerano hagati na Reta y'uBurundi bongere bayigondoze ko ibwiriza kugira ico ikoze mu ntumbero yo kubahiriza agateka ka zina muntu;

3.Gushigikira mu buryo bw'amahera n'ibikoresho amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu mu Burundi ;

*Uwo uri wese ubahirizwa*